Bivuye mu gitabo:

Iri n'Ijambo Ryanje A na Ω

Ubutumwa bwa Yesu

Ubuhishuzi bwa Kristo buzwi n'abakristo nyakuri mw'isi yose

Vyakuwe mugitabo ca Gabriele,
umuhanuzikazi n'umutangabutumwakazi w'Imana:

Iri n'Ijambo Ryanje
A na Ω

Ubutumwa bwa Yesu

Ubuhishuzi bwa Kristo buzwi n'abakristo nyakuri mw'isi yose

(Igitabo kiriho mu gifaransa n'icongereza)

1ère édition en Kirundi: septembre 2022

Traduit de l'allemand, titre original:
Das ist Mein Wort A et Ω

Pour toute question se rapportant au sens,
l'édition allemande fait référence

© Tous droits réservés
Gabriele-Verlag Das Wort GmbH

Intangamarara

Haraciye imyaka ibihumbi bibiri, Yesu w'Inazareti avuze: «Igihe Mpwemu w'ukuri azozira, azobamenyesha ukuri kwose» Ni vyo vyabaye kandi bibandanya kuba biciye muri Gabriele, umuhanuzikazi akaba n'umutanga-butumwakazi w'Imana muri iki gihe cacu.

Mu gitabo cayo gihambaye c'ubuhishuzi, «*Iri n'Ijambo Ryanje. Alpha na Omega. Ubutumwa bwa Yesu. Ubuhishuzi bwa Kristo, buzwi n'abakristo nyakuri mw'isi yose*», Kristo ubwiwe aragaragaza mu buryo buramvuye ukuri kw'ubuzima n'inyigisho vy'Umunyanazareti. Aarakosora inyigisho z'amakosa, araduha ivyari vyaranyegejwe na n'ubu n'ibindi kandi «Ukuri kwose», nk'uko yabisezeranye igihe y'isubiriza muri Yesu.

Iki gitabo cegeranije bimwe bimwe mu biri mu gitabo gifise impapuro zirenga igihumbi, «Iri n'Ijambo Ryanje»

Yesu w'Inazareti yigishije kandi yabayeho mu mabwirizwa y'Imana

Jewe, Kristo, nisubirije muri Yesu kandi mba n'umwana w'umuntu. Naje kwereka umuntu inzira imusohora mu vyaha no mu bucakara. Muri Yesu w'Inazareti, nigishije amabwirizwa y'Imana kandi ndayagendera mu buryo bw'akarorero. (…)

Nigishije gukundana, gukunda ibikoko, kwubaha ibidukikije no gutahura isi nk'umuvyeyi iyo abana b'abantu babako bakayikorerako. Nigishije ubungane, umwidegemvyo, ubumwe, umuvukano n'ubutungane.



Uwukurikira Yesu, Kristo, n'akarorero ku bantu benshi

...Kandi bacaguramwo babiri Barusabe na Matiyasi maze barasenga bavuga: «oo Mana, Wewe uzi imitima y'abantu, twereke umwe muri abo babiri uhisemwo kugira abe mu mugwi w'intumwa aho washiriye hejuru umusavyi wawe Petero kugira atubere umukuru.» (Chap 96, 1-3)

Jewe, Kristo, ndasigura, ndakosora kandi ndimbitsa ijambo:

Nta n'umwe nashize hejuru y'abandi kugira ngo acungere abanje.(...)

Kubankurikira bose – harimwo na Petero yambaza uwukwiye kuyobora abandi – ndavuga, mu yandi majambo, mu buryo buhoraho: Muri mwebwe umukuru nabe muto cane kandi uwushoboye kuronka umuco mwinshi n'inkomezi nyinshi – mu bijanye n'ubuzima bwiwe mu rukundo rw'Imana – nabe indanzi ku bantu benshi yerekana inzira ija k'urukundo rw'Imana.

Nabahisemwo mwese kugira mube abajana umuco (…).

Kuko uwishira hejuru n'uwironderera icubahiro ntaba mu mpwemu yanje; azocishwa bugufi.

Abafarisayo bavuga nabi ibikorwa vyiza vya Yesu w'Inazareti

N'uko bamuzanira umugabo yari umuragi kandi yinjiwemwo na dayimoni kandi amaze kwirukana impwemu mbi, wa muragi aravuga. Abantu baratangara maze baravuga: «Ntanumwe yari bwabone nk'ibi muri Isirayeli.» Ariko abafarisayo baravuga: «Yirukana amadayimoni akoresheje amadayimoni makuru.» (Chap 24, 8)

Jewe, Kristo, Ndasigura, ndakosora kandi ndimbitsa ijambo:

Nisubirije muri Yesu w'Inazareti nakorera aho Data anshize. Mu nkomezi za Data, narazanye ukuruhuka no gukira ku bantu benshi

kandi biciye mw'Ijambo ry'ubuzima, ndabayoborera kandi k'ugutahura.

Nuko, sinafashije kandi ngo nkorere abaza kuri jewe bose. Harabo nerekejeko ibiganza ntibakira. Co kimwe, n'inkomezi z'umwiza zitagenda. Kuko itegeko ry'ubuzima rivuga: Uzoronka ubiheshejwe n'ukwizera kwawe! Kandi: Genda uhereye none, ntukongere gukora icaha! (…)

Abafarisayo b'uyu musi bakoresha amajambo yo gutuka Imana nka kera igihe nari kw'isi muri Yesu w'Inazareti. (…) Abafarisayo benshi, bambaye imyambaro y'ababerezi, biyumvisha ko ari agahambaye mu vy'ukwizera. Igihe bemeza bagenzi babo ko ari «Imbohe za satani» canke «Abakozi ba satani», n'uko nabo bamukorera ubwabo, mu buryo babayeho no mu buryo biyumvira.



Ugusangira ingaburo

Kandi igihe bose bamaze gusangira arababwira: «Igihe cose muzoba mukoranye mw'izina ryanje, kore ikigikorwa mu buryo bwo kunyibuka, mutegure umukate w'ubuzima buhoraho n'umuvinyu wo gucungurwa guhoraho maze murye kandi munywe n'umutima wejejwe, muzoronka ukuramba n'ubuzima bw'Imana iba muri jewe.» (Chap 76, 25)

Jewe, Kristo, Ndasigura, ndakosora kandi ndimbitsa ijambo:

Nakoresheje umukate n'umuvinyu vyonyene nk'ikimenyetso co gutanga ikimazi k'umubiri wanje n'amaraso yanje. Ni co gituma mudakwiye kubikora nk'ibirori ahubwo munyibuke buri gihe, biciye mu nyiyumvo zanyu, mu vyiyumviro vyanyu, mu majambo yanyu, no mubikorwa vyanyu.

Co kimwe, igihe mwihereza impano z'ubuzima muhawe n'Imana biciye kw'Isi Mawe, shimire Uhoraho kandi ibuke igikorwa canje c'ubucunguzi. Ni mwabikora n'umutima

w'ukuri, si umubiri wanyu gusa uzoronka ukuramba muri mpwemu, ubuzima bw'impwemu, ahubwo n'umushaha wanyu uzoramba. (Chap 26, 25)

Igihe nari nisubirije muri Yesu w'i Nazareti, narasenze cane Imana, Data, kandi nayaga cane nawe. Naramusavye, We, Uhoraho ko ahezagira ingaburo ya nyuma yera nasangiye n'abanje. Narababwiye muri ay'amajambo: Ivyo nkoze, mwame mubikora munyibuka. Ivyo kurya n'ivy'umubiri. Ndabibahaye nk'ikimenyetso co gukomera imbere. (Chap 76, 9)



Umubabaro n'urupfu vya Yesu w'Inazareti

Kuki Yesu yashoboye kenshi kurokoka kubamuhigira kandi kuki bitabaye nkako muri nya joro? (Chap 76, 29-30)

Na n'ubu umwijima ntiwigeze uronka ububasha na bumwe kuri jewe kuko umubiri wanje wari wejejwe. Igihe baronse akaryo ko kumfata, n'uko nari niyambitse amakosa, imitwaro y'uruvyaro rwa Dawidi n'iyindi miryango maze ncandagaragarira umwijima. (Chap 78)

Umwiza warancokoye, urantyoza, kandi wica umubiri wanje ariko ntiwashoboye gushikira intumbero yawo: kuntandukanya n'Imana no kunteza gukekeranya kuri Yo. Nagumye muri Data kandi Data aguma muri Jewe.

Uko niko nahimbaje Data muri Jewe. Kandi uko niko icubahiro ca Data caje muri iy'isi biciye mu muco w'ubucunguzi wanyuze muri Jewe, Kristo. Kandi ntanumwe ashobora kuzimya uwo muco w'Isi. Warashinze imizi mu mishaha yose no mu biremwa bantu vyose,

haba no mubatewe n'amadayimoni. Bavyemera canke batovyemera, nabo bararonse umuco w'ubucunguzi muri Jewe. (Chap 82, 17-19)

Nubwo ponsiyo Pilato yadugije ibiganza kugira yerekane ko yera, yaraguye mu caha mu vy'ukuri. Nukuvuga nubwo yarazi ko ndi Uwera, yarantanze ngo mpfe jewe uwutagira icaha. Ponsiyo pilato ntiyashoboye kunesha ikigeragezo yarahuye naco, kuko yatanze amategeko anyuranye n'ivyo yemera. Ukwemera cane ntikugira ikimazi kinini iyo hakozwe ibinyuranye nakwo. (Chap 81, 10-32)

Pilato niko yagaragaje intege nke ziwe. Yatinye abantu kugira agume mu kibanza ciwe mw'isi. Inyifato ya Pilato iracari icigisho kuri benshi na n'ubu. Uw'iy'isi akora ivyo abantu bashaka kugira agumane ubutegetsi bwiwe n'ikibanza ciwe muri iy'isi. Gushika naho yotanga mugenzi we nk'ikimazi kugira agumane icubahiro n'ubutegetsi yishakira. (Chap 82, 3-4)



Ido n'ido ry'inyigisho za Yesu, kristo

Yesu ariko aragenda aja I Yerusalemu, maze ahura n'indogoba yikoreye umutwaro uremereye w'ibiti. Indogoba ntiyashobora kwiduza k'umusozi kandi uwuyigendesha yarayikubita, akayifata nabi vy'iyica rubozo, n'ivyo vyose ntiyashobora gutera intambwe.

Abonye ivyo, Yesu aramubwira: «Kuki ukubita, umuvukanyi wawe?» Maze wa muntu aramwishura: «Ntavyo narinzi ko ari umuvukanyi wanje. Ntabwo ari igikoko cagenewe kwikorera imitwaro gitegerezwa kunkorera?»

Kandi Yesu aravuga: «S'Imana imwe yaremye mu buryo bumwe igikoko n'abana bawe bagukorera, kandi bose ntibaronse uguhumeka kumwe kuva Ku Mana?»

Uwo muntu aratangara cane yumvise ayo majambo. Ahagarika gukubita ya ndogoba kandi arayiremurura bimwe mu vyo yikoreye. Gutyo indogoba ibona kuduga umusozi kandi Yesu ayigendera imbere, kandi ntiyasubira guhagarara kuri uwo musi.

Indogoba imenya Yesu, kuko yiyumvisemwo urukundo rw'Imana. Maze uwo muntu ashaka kumenya vyinshi kuri iyo nyigisho, kandi Yesu abimwigisha abikunze, maze acika umwe mu biwe. (Chap 31, 10-16)

Jewe, Kristo, Ndasigura, ndakosora kandi ndimbitsa ijambo:

Nisubirije muri Yesu w'Inazareti, natumbereye abantu benshi kugira ndabamenyeshe itegeko ry'ubuzima, n'iry'ibikoko navyo nk'ikiremwa muntu, birumva umubabaro uburibwe n'umunezero. Nk'uko umuntu ategerezwa gushigikira mugenzi we kandi ntamurwanye, niko ategerezwa gushigikira ibikoko no kubikorera ivyo bikeneye. (…)

Narakomeje kwigisha abantu ko ibikoko navyo ari ibiremwa vy'Imana ko umuntu adategerezwa kubifata nabi ahubwo abikunde. Uwubikubita kandi akabiteza imibabaro nawe umusi umwe azobabazwa, mu mushaha wiwe canke mu mubiri wiwe, umubabaro umwe usa n'ivyo yabikoreye.

Kandi bamwe mu bakurambere no mu banyabwenge b'ivyanditswe baza kuri we maze baramubwira: «kuki abigishwa bawe bigisha ko kurya inyama z'ibikoko binyuranye n'itegeko, kandi bitegerezwa gutangwako ikimazi nk'uko amategeko ya Mose yabigeze? (...)» (Chap 51, 12)

Jewe, Kristo, Ndasigura, ndakosora kandi ndimbitsa ijambo:

Mose, ntiyategetse canke ngo yemeze ibimazi vy'ibikoko. Mbere ntiyigeze ashigikira ubugombe bwa satani bwabashaka kurya inyama. Yigishije ko kurya no gutanga ibimazi vy'ibikoko ari icaha. (...)

Ehe, ibikoko biriyumvamwo ico umuntu ashaka kubigirira.

Mw'ihinduka ry'igihe muri co nsigura, nkosora kandi nkimbitsa ku biri muri iki gitabo, ububi bukorerwa ibikoko n'ibidukikije bushitse k'urugero rutosigurwa. Ibikoko n'ibimera birababazwa n'ukuganza kubi kw'umuntu. Abantu benshi ntibagisonera n'ubuzima bwabo bwite canke ubw'ikindi cose caremwe.

Kimwe mungaruka z'inyifato y'umuntu nkakarorero, ihungabana ry'imigende imwerekeye. Ibikoko vyinshi biratakaza muri ubwo buryo uko vyiyerekeza, vy'umwihariko ku nyoni zimuka. Bitewe no kwonona inzuzi, ikiyaga, amabahari n'ikirere c'Isi, ibinyabuzima vyinshi vy'ibikoko n'ibimera birazimangana. (…) (Chap 51, 11-13)

Ni co gituma mukwiye kwiyumvamwo ko mwiyunze n'ivyaremwe vyose, n'amabuye, n'ibimera, kandi mukingire ubuzima mwajejwe! (…)

Namba, ntimwambure igikoko ubuzima bwaco. Ehe,ibidukikije – ubuzima bw'ivyaremwe – buratwitayeho. Ivyamwa vy'imirima, imirima n'amashamba vyategerezwa kubabumba. Ntimukandagire igifse ubuzima kubwo gusamara, ubw'ibikoko canke ibimera. (Chap 19, 9)



Ntimukore ikibi kandi mwirinde neza ntimumene amaraso

Aho Imana iba, ingoro ya Mpwemu yera ni umubiri w'umuntu co kimwe n'umushaha uva ku Mana mu muntu. Ibwina cane mu mushaha hari urukundo, ubwitonzi n'ubutungane bw'Imana. Imana iba rero mu mushaha, vyongeye umushaha n'umubiri w'umuntu ni ingoro y'Imana. Nuko,uwinjira ku nguvu mu nzu y'umubiri n'amagufa vya mugenzi we akoresheje umukazo kuri we, mu kumukandamiza, mukumufata nabi nk'umucakara, haba no mukumwica, acumura kuri Mpwemu yera. (...)

Nico gituma, ibiganza vyanyu n'imishaha yanyu bikwiye kwera, kandi atari gusa kubijanye n'ubusuma canke ubwambuzi. Na cane cane ntimukoreshe namba umukazo, haba ku bantu canke ku bikoko, kandi mwirinde ntimusese amaraso yavyo. (Chap 38, 4)



Itegeko ry'igituma n'ingaruka

Itegeko rihoraho kandi riri muri vyose rikorera muri vyose, itegeko ry'amajuru ntirihinduka. N'itegeko ry'ibiriho vyose vyejejwe. Ubuzimire buzana itegeko ry'ibibibwe n'ivyimbuwe. Nabwo bukurwaho no gushira mu ngiro amategeko ahoraho, ntayindi nzira. (…)

Itegeko ry'ibibibwe n'ivyimbuwe rigumana agaciro gushika aho ikintu cose kinyuranye n'itegeko ryejejwe gishirwa mu ngiro kandi kigahindurwa mu nkomezi zitunganye, maze ibiremwa vyose bikabaho bushasha mu Mana aho bikomoka. (Chap 25, 8)

Imana yatanze agatima ko kwihitiramwo ku biremwa vyose vy'impwemu no ku mishaha yose n'abantu bose. Nico gituma umwe wese yihitiramwo kwemera amategeko y'umwidegemvyo n'ubuzima, no kuyashira mu ngiro canke agahitamwo kuyanka maze agakora ibitajanye. (…)

Imbuto nziza zitanga umwimbu mwiza, imbuto mbi zitanga umwimbu mubi. Umwe wese yihitiramwo imbuto abiba, imbuto nziza,

imbuto nziza bukebuke canke imbuto mbi. Umwe wese yimbura ubwiwe ivyamwa yabivye, ntabwo ari mugenzi we, yimbura ivyamwa vy'ivyo yabivye ubwiwe. Igihe bahuye n'ingaruka zivyo bakoze, benshi biyobagiza ko bimbura ivyo babivye ubwabo, biyumvira yuko bahohotewe n'uburake bw'Imana.

Imana n'urukundo,ntabwo igira ishavu. Irakiza umuntu ivyaha mu gihe nawe avyihanye, akabizanaku Mana, ikabimukiza kandi ntiyongere kubikora. (Chap 31, 1-3)



Kwigisha gucirwako iteka kw'ibihe vyose, ni gukekeza Imana

Maze abafarisayo bamwe (…) babaza Yesu mu kuvuga: «Uvuga iki? ko Imana izocirako iteka abari mw'isi?» Maze Yesu arishura: «Imana ikunda abari mw'isi kurugezo rwaho yatanze kandi ikarungika umwana wayo kw'isi kugira abamwizera bose ntibapfe rubi, ariko baronke ubugingo budashira. (…)» (Chap 12, 10-11)

Jewe, Kristo,Ndasigura,ndakosora kandi ndimbitsa ijambo:

Imana ntawe icirako iteka! Ahubwo, mu kwiyumvira, mu kuvuga no mugukora ibinyuranye n'itegeko ryejejwe, umuntu ubwiwe niwe yishiriraho sentare imucira urrubanza; ni vyo baca bita «Gucirirwako iteka». (…) Ariko ntiwategerezwa gutinya So wo mw'ijuru, kuko aragukunda! Ahubwo tinya ivyiyumviro vyawe vya kameremere, amajambo yawe n'ibikorwa bibi, kuko ivyo bishobora kugushikana «Ku

gucirirwako iteka» rirerire! Imana n'urukundo! Rero ntuyitinye. (Chap 12, 10-11)

Kandi mutahure ko ikuzimu atari ahantu ahubwo n'ukuntu umushaha wiboheye kubinyuranye n'itegeko ryejejwe «K'umwami w'umwiza». (Chap 17, 9-10)

Ntimuririre abanyu bapfuye

Uwuririra abapfuye aracari kure y'ubugingo budashira kuko afata urupfu nk'iherezo ry'ubuzima. (...)

Tahure ko ukubaho kw'isi mu mubiri vy'akanya gato ataribwo buzima bw'umushaha. Umushaha winjira mu mubiri kuhamara igihe gito, kugira utunganye kandi wibohore muri ico gihe gito kuvyo wiremetse mu bihe vy'amagarukagaruka atandukanye. Isi ni nk'indaro y'ingenzi. (Chap 26, 10-11)



Urukundo ku Mana no kuri mugenzawe

Mutahure ko uwanka mugenzi we, ku vyo yoba yitwaza vyose, ntari ku ruhande rw'Imana. Kandi uwanka Imana ntari mu kuri, ntariko ararangura itegeko ry'Imana ni ryo tegeko ry'urukundo. (Chap 90, 12)

Umuntu atemera kandi atakira mugenzi we ibwina mu mutima wiwe akamuhinyura, akamwanka, ntazobona Data ahoraho kandi ntiyamenye, Jewe Kristo, umwana wa Data. Ntatahura na gato mugenzi we n'ubwiwe ntiyitahura, kuko no muri we hari Mpwemu wa Data ahoraho atemera muri mugenzi we kandi ntamwakire ibwina mu mutima wiwe. (Chap 50, 5-8)

«Ntukorere bagenzawe ivyo udashaka ko bagukorera» bisigura: ba maso buri kanya k'ubuzima bwawe bwo mw'isi kugira umenye inyiyumvo zawe n'ivyiyumviro vyawe. Niho uzoshobora kuzana ku gihe, kuri jewe Kristo, ibikorwa vya kameremere biba muri wewe, kugira ntukorere mugenzawe ibizokugarukako. Ivyo ukorera mugenzawe, ni Jewe, Kristo ubigirira, kandi ukongera ukavyigirira (…).

Utegerezwa kwubaha mugenzawe kandi ukitwara imbere yiwe mu buryo bujanye n'itegeko rihoraho. Ubundi, ntuzokore ico agusavye nimba kinyuranye n'amategeko atunganye. (Chap 35, 1-8)

Mutahure ko mudakwiye gutegeka bagenzi banyu ivyo namwe ubwanyu mutokora. Igihe mwiteze ko mugenzi wanyu abakorera ikintu, mwibaze kuki mutocikorera mwebwe ubwanyu? (…) Ico utegeka abandi, ntaco ufise mu mutima wawe. (Chap 27, 5-6)

Kwica mugenzawe, ni kubomora ingoro y'Imana. Umushaha w'uwo wishe ntuba ugifise amahirwe yo kwihana canke gushira mu ngiro kw'isi icari igikorwa cawo mu buzima bwo kw'isi.

Uwica mugenziwe, ingoro y'Imana, canke akamugandagura, azobona ingaruka ingana canke isa n'ico yamukoreye. Ubwoba, umubabaro, uruhagarara n'urupfu bizomwubira. Kw'isaha yiwe yo gupfa, ntagahengwe azoronka, kuko umushaha w'uwo yishe akiri kw'isi kandi atanamubabariye uzoba uhagaze imbere yiwe. (Chap 49, 4)

Uwemera kuganzwa n'abandi, agakora ivyo bamubwiye, kandi yarazi ko bitajanye n'inzira yiwe, aba «atunzwe» n'abandi kandi aba ahushije ubuzima bwiwe bwo kw'isi. Ntaco aronka mu misi yiwe, akoreshwa n'abamuganza. Nico gituma atamenya inzira akwiye gukurikira kuri iy'isi. Umuntu yiboherako bagenziwe mu gushaka ko bakora ubugombe bwiwe agereranywa n'ikinywamaraso kibakuramwo inkomezi zabo. (chp 26, 10-11)



Ikigongwe no gusaba ikigongwe birabohora kandi bituma umushaha umurikirwa.

Uwama yiteguye gutanga imbabazi buri gihe acumuweko ntaremereza umushaha wiwe kandi aba ashize imitwaro kure y'umubiri wiwe. (…)

Urubanza ruba kuno: Uzocirirwa urubanza hisunzwe uburemere n'urugezo ubikora ku bandi. Iki gisigura ko urugezo rw'ububi rw'inyiyumvo zawe, ivyiyumviro, amajambo n'ibikorwa ni rwo mucamanza wawe, ntabwo ari Imana. (Chap 57, 13-20)

«Mutange imbabazi kandi namwe muzozigirirwa» nimwasaba imbabazi mugenzawe kandi akababababarira, So wo mw'ijuru azoba nawe yababababariye. (...) Ni mwasaba imbabazi mugenzawe ntabe yiteguye kubababababarira, ubuntu bw'Imana buziyongera muri mwebwe, buzobazenguka kandi buzobayobora, n'ubwo Imana itazoba irabakurako icaha kitaramara gutunganywa.



Inyuguti zirapfuye,
Ukuri kurabohora

Ukudahemukira inyuguti guhishura guhemukira Imana. Uwudashira mu ngiro amategeko y'Imana ashaka kwibanda ku nyuguti. Ni uko kudahemukira inyuguti gushikanye isi mu kaga. Ivyo ni ko vyamye ibihe vyose, no mu bibanza vyose, kandi niko biri na n'ubu. (Chap 43, 10-16)

Uwushira mu ngiro ijambo ry'Imana, yahawe no kurivuga mw'isi no kuryigisha. Ubundi utarishira mu ngiro araceceka. Kuko uwigisha ijambo ry'Imana atarishira mu ngiro aremereza umushaha wiwe. Acumura kw'ijambo ryera, ku Mana. Amajambo y'uwusemerera kandi yigisha ijambo ry'Imana atarishira mu ngiro, ntashikira umutima wa mugenzi we. (Chap76, 10-19)

Igihe cose umuntu adashira mu ngiro, bimwe bimwe mu kuri guhoraho yahishuriwe, akabifata kandi akabihinyura yisunze ubwenge bwiwe aragowe. Ni igihe ashira mu ngiro buhorobuhoro ivyo yatahuye ashobora gutahura ukuri guhambaye. (Chap 90, 6-11)

Senga mu buryo bubereye

Igihe usenga, iherere mu cumba c'agacerere kandi wiyinjiremwo ibwina muri wewe nyene, kuko mpwemu wa Data, uwo uri ingoro yiwe, aba muri wewe. (…)

Igihe amasengesho atava mu mutima wawe mu buryo butironderera inyungu, vyiza mu gusenga banza witahure mu vyiyumviro n'ivyipfuzo vyakameremere kugira ubizane ku Mana intambuko ku yindi. Ku buryo, urukundo rutarondera ivyarwo ruri muri wewe rutera imbere maze uzoshobora gusenga kandi bivuye mu mutima. (Chap 26, 3-4)



Inzira y'imbere ija ku mutima w'Imana

Nisubirije muri Yesu w'inazareti, naramenyesheje ubutumwa bw'urukundo bubohora kandi ndabumenyesha na n'ubu, nka Kristo, biciye mubarangura ubugombe bw'Imana. Ku nzira ija ku buzima bw'imbere nazanye kandi nzanira abanje na n'ubu, umwe wese arashobora kundonka. (Chap 13, 1-2)

Tahure ko mw'itegeko rihoraho, ntagahato karimwo. Imana, Uhoraho, yaratanze ukwihitiramwo ku bana biwe bose. Uwihitiramwo gukurikira kristo araronka inkomezi zo gushira mu ngiro ikigaragaza ubukristo nyabwo: Ubungane, umwidegemvyo, ubumwe, umuvukano n'ubutungane. Agahato kose kava kw'itegeko ry'ibibibwe n'ivyimbuwe, ryitwa kandi «Itegeko ryo gutirimuka». Bisaba ko ikiremwa muntu cihitiramwo inzira yaco y'impwemu. Jewe, Kristo, ndereka buri umwe wese inzira ija k'umutima w'Imana ariko ntawe ntegeka kuyikurikira. (…)

Amadini atandukanye yiyita rukristo ahatira abayoboke bayo kukubatizwa mu mazi.

Biciye muri ico gikorwa, abana bato batarамenya guhitamwo kandi badashobora kwihitiramwo ubwabo bategekwa kuba muri ayo madini. (Chap 25, 8)

Inyigisho yo K'umusozi ishizwe mu ngiro icika inzira y'imbere ija ku mutima w'Imana. Ico umuntu adakoze mu buryo butironderera inyungu ni we aba acikoreye. Ukutironderera inyungu, ni urukundo rutunganye. Ubwikunzi, ni urukundo rwa kameremere. Uwukorera iciza mugenzi we ashaka ko ashimirwa canke ashaka ko ibikorwa vyiwe bivugangwa, ntabwo aba agikoreye mugenzi we ahubwo ni we aba acikoreye. Amashimwe no kuvugangwa ni vyo biba ingero yiwe. Gutyo aba yamaze kuronka impera yiwe kandi ntakindi aba aciteze ku Mana. Ukutironderera inyungu vyo nyene ni kwo Imana yishura. (…) Intambuko ya mbere muri iyo nzira ni gusuzuma ivyiyumviro: Subiriza ivyiyumviro vy'ubwikunzi, bibi, vy'umwiza canke vy'umukazo n'ivyiyumviro vyejejwe vyo gutabara, vy'umunezero kandi vy'agaciro co kimwe n'ivyiyumviro vyerekeje ku ciza muri buri umwe wese no kuri buri kintu cose kije kuri wewe. (Chap 26, 1-2)

Ubutunzi bw'imbere n'ubutunzi bwo hanze

Uwitaho itunga ryiwe, gutyo akiyubakira «Urwari rwiwe» ntagire amakenga ko inyoni y'ishamba igabirije kuguruka kugira irubomore ngo imunyage amatungo yiwe yita itunga «ryiwe».

Ubundi, uwubanza kurondera ubwami bw'Imana ateza imbere imico y'imbere, yironkera amatungo y'imbere (…) Umuntu atunze imbere muri we ntabaho mu bukene bw'ivy'isi. Ariko, uwutunze ivy'isi kandi akirundaniriza amatungo umusi umwe azisanga mu bukene. (Chap 26, 12-14)

Buri kiremwa muntu n'umwana w'Imana kandi ntiyategerezwa kubaho kw'isi nk'umusezi. Ntanumwe yategwerezwa kwidagadura mu vyo agaciro no mw'itunga maze agakoresha abandi kugira yironkere gusa itunga. N'uko, umwe wese ategerezwa gushira mu ngiro ibwirizwa «Senga kandi kora». Igikorwa cose gifise impembo biberanye. Uwukora mu buryo bw'ukuri ni we atunganye imbere ya mugenzi we. (Chap 47, 10-17)

«Senga kandi kora»

Mutahure ko bivanye n'amategeko y'Uhoraho ababayeho bose mw'ibwirizwa «senga kandi kora» mu buryo butironderera inyungu bafise uburenganzira kuri ryo kuko Imana itanga kuri buri umwe ico akeneye mbere igatanga n'umurengera. Nuko, igihe cose iryo bwirizwa ritazubahirizwa na bose, hazokwama kw'isi abitwa abatunzi. Igikorwa cabo ni kugabura ubutunzi baronse no kubaho nk'abashira mu ngiro mu buryo butironderera inyungu «Senga kandi kora». Igihe, muri ubwo buryo, batiyumvira ku bwabo gusa ariko bakiyumvira ku neza ya bose ubutunzi bw'imbere buzigaragaza buhorobuhoro no hanze. Ico gihe nta muntu azicwa n'inzara canke abure ico akeneye. (Chap 25, 5)



Uburenganzira bw'isi n'ubutungane bw'ijuru

Ehe, Imana si uburenganzira ahubwo ni ukugororoka. Ikiremwa muntu caramamaje amategeko y'isi agararagara nk'uburenganzira bwiwe. Igihe cose umuntu atazi itegeko ry'ubuzima, ubutungane, yiyumvira akenshi ko akora ibitunganye. Ariko, bita mu mutego ubudasiba mw'itegeko ry'ibibibwe n'ivyimbuwe kuko uburenganzira ntibuhwanye imisi yose n'ubutungane. Uburenganzira bw'abantu buri kure yicitwa ubutungane mu mana. (Chap 57, 13-20)



Umugabo n'umugore barangana

Ehe, ukubaho kuri muri buri nkomezi, mu nkomezi zitanga co kimwe no mu nkomezi zakira. Nico gituma umugore yategerezwa kwubahwa co kimwe n'umugabo. (…) Uwufata umugore nk'uwudafise agciro maze agashira umugabo hejuru yiwe acumura kw'ibwirizwa ry'ubuzima kw'itegeko Data – Mawe ari ryo tegeko mu vyaremwe vyose. (Chap 64, 1-3)

Igikorwa c'ubucunguzi ca Kristo w'Imana

Ndi umwana wa mbere imbere ya Data, impfura, samuragwa w'amajuru, ari hose mu nkomezi zine z'ukurema, inkomezi zine z'Imana zigaragaza: Urutonde, ubugombe, ubwenge no gutungana. (…) Gutyo, ndi Imana muri Mpwemu w'ukurema wa Data. (…) Imana ni inkomezi isumba vyose, iri hose, yaremye vyose kandi ikomeza kurema, kandi yibihe vyose.

Kubw'ivyo inkomezi iri hose, inkomezi ya mbere itemba ibihe vyose, Mpwemu, nakiriye

igice kinini ku mugabane wanje w'Impwemu kugira ndawuteragire mu mishaha mw'ishusho ry'utuzatsa. (…)

Data ahoraho, uwo ndi umwana wiwe, ampa inkomezi zo gushira mu ngiro ibiri mu bugombe bwiwe, mw'itegeko rihoraho: Kuzigama buri buzima bwose. Biciye mu gikorwa c'ubucunguzi, buri mushaha uremerewe uraronka akazatsa k'ubucunguzi.

Gutyo, umushaha uba ushigikiwe, urinzwe kandi ntibishoboka ko usambuka muri Mpwemu ari hose, umugende w'Imana, kugira ushonge muri we nk'inkomezi zitemba. Biciye mu bucunguzi, umushaha uzocika ikiremwa c'impwemu cejejwe kandi ugumane ishusho yawo y'impwemu y'umwana w'Imana. (…)

Data yampaye rero gukora nk'umucunguzi w'imishaha yose n'abantu bose baremerewe no kubayobora gushika k'umutima wayo, bo bana b'Imana. Nico gituma ndi umucunguzi wa buri mushaha gushika umaze kurengana intambuko zine zo gutyororwa. (Chap 20, 5)



Ihagarikwa ry'imirwi yabanzirije iyindi, haraciye imyaka ibihumbi bibiri

Maze kuduzwa mw'ijuru, ibikorwa vy'amadini vyagiye biravuka. Ababishizeho bakoresha ububasha bwinshi bitewe n'uko abantu benshi baguma biyunga ku ntumwa no ku bigishwa kandi bagakomeza kwubaka imigwi bashaka ababayobora. Abigishwa bamwe bamwe (…) binjiza buhorobuhoro ibikorwa vy'ubupagani mu mirwi y'abakristo iriko iravuka.

Gutyo havuka buhorobuhoro icitwa ubukristo bugizwe n'amategeko yo mu mubiri, imigirwa n'inzego mu madini, n'ukuvuga abashijwe hejuru na ba nyene icubahiro. Sinigeze nshiraho ivyo nka Yesu w'Inazareti canke nka Kristo w'Imana.

Mutahure ko umukuru mu banje ni uwateje imbere «ugutahura». Ari bwo bwenge bwejejwe ibwina mu mushaha. Ni umukozi atironderera inyungu akorera bose. (…) Sinigeze nshiraho abasemerezi, abadiyakoni, abapatiri. Nashaka kandi na n'ubu nshaka ubusho bumwe, Jewe mbera umwungere, Jewe, Kristo, (…) sinigeze nagato nshiraho amadini. Ariko

nashizeho abakozi batironderera inyungu bakorera bose. (Chap 96, 6-7)

Ugukoresha nabi izina rya Yesu, Kristo

Abarongozi benshi b'abandi mu madini co kimwe n'abandi b'isi bakina poritike bakoresha kwiyita «umukristo» mu gushikira inyungu zabo zidafise aho zihuriye n'ivy'ubukristo. Bakoresha izina ryanje kugira bubahishe amazina yabo. Bigisha abantu urukundo ariko ni bake muri bo barufise. Bigisha amategeko menshi anyuranye n'itegeko ryejejwe kandi gutyo bagahonyanga iryejejwe, itegeko ry'urukundo n'iry'ubuzima. Bemera ko ibikoko vyicwa. Barya inyama nyinshi kandi bakanywa inzoga zikaze. Benshi muri bo bafise uruhara mu bwononyi, ugucukura no mu kuroga isi. Kandi benshi muri bo biyita abakristo bafata ibigwanisho mu ntambara. (…)

Uwu musi kandi, abategetsi b'amadini bicaye mu bibanza vy'icubahiro ku meza mu bihe vyo gusangira no mu madini, kandi

bakinyegeza mu mazina y'ivyubahiro ku bayoboke babo. Uwu musi kandi abo bayoboke bubashe cane umuntu yiyita «data mweranda», biyobagiza ko igihe nisubiriza muri Yesu w'Inazareti nigishije ko hari Data mweranda umwe gusa. (Chap 60, 1-18)

Umwungere mwiza aja kurondera imwe mu ntama yazimiye

Umwungere mwiza arazi intama ziwe zose. (…) Nka Yesu w'Inazareti, natanze ubuzima bwanje kw'isi ku bantu bose. Nka Kristo w'Imana, natanze umugabane wanje wejejwe ku mishaha yose n'abantu bose mu kubashigikira no mukubayoborera imuhira kwa Data.

Nk'akazatsa k'ubucunguzi, umushwarara w'umuco uva ku mugabane wanje wejejwe, uca ibibatsi mu mishaha yose no mu bantu bose, bose bazomenya inzira ija kwa Data ahoraho. (…)

Jewe, Kristo w'Imana, ndiko ndondera intama yose yazimiye kuko buri ntama ni agace

ko kuri jewe. Nta n'umwe nta n'umushaha n'umwe uzimira kubwo ibihe vyose. (Chap 55, 1-16)

Kristo ntakiri kw'isi muri Yesu; Kristo, oo mwana w'umuntu, ari muri wewe. Kandi aho uri hose, aho uja hose, ndi inkomezi y'ubucunguzi muri wewe kandi nshobora gukiza umubiri wawe igihe vyoba ari vyiza ku mushaha wawe. Oo muntu ntibikenewe ko undondera kure, urandonka muri wewe nyene! Ntibikenewe ko uja aha canke hariya. Aho uri hose, mba ndahari. (...)

Kandi n'utaha ikibanza ugukekeranya mu kwizera muri jewe, hazoza ivyiza kuri wewe, ivyiza ku gakiza k'umushaha wawe. Uyu musi nk'ejo hahise iryo tegeko rigumana agaciro. Ukwizera kwawe kuragufashije. Kandi niwahagarika gucumura mu gukomeza kwubahiriza amabwirizwa y'ubuzima, isengesho ryawe rizoba ryamaze gusubizwa mu mushaha wawe. Kandi agakiza kazoza mu mushaha co kimwe no mu mubiri, igihe vyoba vyofasha umushaha wawe gutera imbere. (Chap 22, 1-5)





Amabwirizwa Cumi Y'Imana

yatanzwe biciye muri Mose

asiguwe mu mvugo y'uyu musi

Ni gute twotahura amabwirizwa cumi no kuyashira mu ngiro mu buzima bwa misi yose? Amabwirizwa cumi n'impanuro zihambaye z'ubuzima zitujana ku mahoro y'imbere no ku mwidegemvyo, kandi zidufasha kwiyegereza Imana intambuko ku yindi, Mpwemu yidegemvya, muri twebwe no mugifise ubuzima cose.

S338KI • ISBN 978-3-96446-228-2 • Impapuro 40

Utu dutabo turaboneka kandi mugifaransa no muzindi ndimi nyinshi!

Infos en français par WhatsApp: +49 159 08 45 45 05
www.gabriele-publishing.com

Udutabo turi mu Kirundi dutangwa k'ubuntu



- Ubuzima butunze gushika mu zabukuru
- Imana muri twebwe
- Yesu n'ibikoko
- Mubaho ibihe vyose. Urupfu ntirubaho
- Aho babiri canke batatu bakoraniye mw'izina ryanje, ndi hagati muribo
- Kuronka imfashanyo mu ngwara no mu mubabaro
- Inyigisho yo Kumusozi Urufunguruzo rw'ubuzima bw'impwemu bwuzuye
- Nturere amaboko! Komeza!

Iri n'Ijambo Ryanje
A na Ω

«Iri n'Ijambo Ryanje – A na Ω» n'igikorwa kirimwo iciyumviro hamwe n'igikorwa ca Yesu w'Inazareti Aho dusanga atabaye gusa nk'umuvugishwa aruta abandi bavugishwa n'Imana, ariko kandi yabaye nk'umwigisha w'ivyimpwemu ahambaye.

Muri iri ihinduka rihambaye ry'igihe, ni Kristo ubwiwe ahishura biciye mw'ijambo ry'ubuhanuzi ritangwa biciye muri Gabriele, umuhanuzikazi-umwigishakazi Wiwe, ukuri Kwose Ku nyigisho yiwe no k'ubuzima bwiwe kw'isi nka Yesu w'Inazareti. Arasigura, ubundi, ko atigeze atanguza idini canke inzego z'abasaseredoti!

Gabriele Publishing
The Word

Max-Braun-Straße 2 • 97828 Marktheidenfed • Germany

www.gabriele-publishing.com